Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Nyakanga / *September2020* *kirundi*

Gira ikigongwe! Ndetse indwi, ariko mirongo indwi n'indwi

(Mt 18,21)

Subira utangure!
Start again!

Bakunzi b'Ijambo,

Igipimo c'ubushuhe cari caduze gushika kuri 40. Mu murwi mutoyi w'umuziki uhurikiyemwo abantu b'imvamakungu, bariko barategura igiteramo co gusozera. Ubumenyi bw'imuziki bwari butandukanye kuri umwe umwe. Eka n'ivyo gukurikiza amasaha kwari uko nyene. Ivyo bikoranye, kuri uyo muhinga karuhariwe mu kuririmbisha, vyari ibimuca intege bikwiye. Ku mugoroba, niho yigana ati : „hari igihe ku mutaga numva vy'ukuri ndushe kandi nashangashiwe, gushika n'aho amosozi antanga hasi. Ariko umusi wose nari nishizemwo kugendera icivugo : subira utangure. Hari ururirimbo tutari twize neza - Subira utangure! Hari umunyamuziki yashitse atevye. Twari twahejeje kwiga indirimbo za mbere. - Subira utangure! Ico bashirako indirimbo mu kuririmbisha kirahenuka, gitoba ivyo kuririmba twarimo - Subira utangure! Ubu rero hageze aho numva ko naherejeko mu gutegura, ariko sinzi ko igiteramo kiza kugenda neza? - Subira urangure.

Ariko rero ntiwumve gurtyo, kutihambirira ku binca intege no gucira urubanza abandi, canke ku tunenge tw'abandi, jewe ntibinyorohera na gato. Ni umwimenyerezo ukomeye w'ikarashishi y'mutima. None Petero we vyamugendeye gute? Yari asanzwe ari umunyamwuga, agakorera mu murwi hamwe na mwenewabo Andreya, na Yakobo be na Yohani. Abo babiri banyuma, bari bararonse izina ry'iritazirano, bakabita „Abana b'umuturagaro". Umwe wese yoshobora kwibwira ukuntu vyagenda kuri abo bantu bari mu bwato ku kiyaga ca nazareti. Ntihabuze amajambo amwe amwe ababaza yahavugirwa. Niho mbere Petero vyaza vyamuduhira akabaza Yezu ati . „Mbe norekurira mugenzanje gushika ryari? Kugeza ku ndwi?" Eka n'aho yoba yigoye bikwiye! Niho rero yumva inyishu ya Yezu: „Si kugera ku ndwi gusa, ni kugera kuri mirongo indwi n'indwi!" None rero urumva ko kwa Yezu ikigongwe kitagira iherezo! Ni ico bita „never-ending-story"! Iwe bisigura : Ntiwigere ureka kugira ikigongwe! – Don't stop forgiving!

Uwubaho gurtyo ku musi ku musi, niwe Muremeshamahoro w'ukuri. Aguma aha amahoro akaryo keza ko kurama. None ubwo turafise umwete wo kudaheba kwama dutangura bishasha: **Subira gutangura ! Start again!**

Ku bwa go4peaceTeam Meinolf Wacker